**Mt 21,33-44**

***Idominika ya 27 yo mu mwaka A***

„Nimwumvirize uwundi mugani. Habaye umuntu, nyene urugo, yari yateye umurima w´imizabibu, arawuzitirira, yimbamwo iganiro, yubaka inzu y´abarinzi, araheza awusigarana abarimyi, aca afata urugendo. Igihe c´ukwimbura cegereje, arungika abasuku biwe kwa nya barimyi, ngo bamuzanire umwimbu. Nya barimyi bafata nya basuku biwe, umwe baramukubita, uwundi baramwica, uwundi nawe bamwicisha amabuye. Asubira kurungika abandi basuku barusha aba mbere ubwinshi, babagira uko nyene. Ubwa nyuma, abarungikira umwana wiwe, yibwira ati: „Bazosonera umwana wanje“. Yamara nya barimyi babonye nya mwana babwirana bati:“ Uwo ni samuragwa! Nimuze tumwice, gutyo twigarurire iragi ryiwe“. Baramusumira, bamuterera inyuma ya nya murima w´imizabibu, baramwica.

None nyene uwo murima w´imizabibu niyaza, azogira gute abo barimyi?“ Bamubwira bati: „Abo babisha azobica nabi, nya murima w´imizabibu na wo awushinge abandi barimyi bazoza baramushikiriza umwimbu ku gihe cawo.“

Yezu rero arababwira ati:“ Mbega ntimurigera musoma aho Ivyanditse bivuga ngo:“ Ibuye abubatsi bari bataye ni ryo ryabaye ishimikiro ry´imfuruka. Ivyo tubikesha Umukama kandi ni agatangaza mu maso yacu“? Nico gituma ndababwiye ko azobaka Ubwami bw´Imana, bakabwihera intara buzokwamamwo ivyamwa.“

Uyu mugani w´abarimyi b´abicanyi uje ukurikira umugani w´abana barungitswe gukora mu mizabibu, ugaca ukurikirwa n´uw´abatumire mu bugeni.

Nyuma yo kuba yinjiye i Yeruzalemu no kwirukana abandandariza mu Ngoro y´Imana, iyo migani igaruka ku mpari ziri hagati ya Yezu n´Abaherezakunka bakuru n´Abafarizayo. Mbere umuntu aravye akarongo ka 45 ka kino kigabane

ca 21, bigaragara ko iyo migani Yezu ayerekeza kuri abo Baherezankunka bakuru. Nibo babuza ko Umukama asarura ivyamwa bizima ku muzabibu wiwe, igihugu ciwe. Na Samuragwa yarungitse, baramwishe ngo bigarurire ivyiwe vyose.

Hari ibintu bitatu bishobora kudufasha muri uyu mugani :

1. Urukundi Imana ifitiye igihugu cayo rugaragarira mu kwihangana

Umakama niwe nyene umuzabibu. Niwe yitereye imbuto irobanuye, aguma akurikirana, arasira, arabagarira, aravomera. Yari yizeye ko uzokwama imizabibu, ariko wamye ibihumbwa. Umukama niko ateye, raba ukuntu yaturemanye agashusho kiwe, akaduha ingabirano zidasanzwe, akatwitaho mw´ijambo ryiwe n´amasakramentu, ntakindi aturonderera atari Ubwami bw´Imana, ariko tukaba Bahebiyake. Ivyo vyose yabikoranye urukundo, ntanyungu yiteze kuko itameze nka twe abantu. Raba abarimyi ngo bice Samuragwa batorane umuzabibu wa shebuja. Hejuru y´ingabirano nyinshi yaduhaye, iguma ikurikirana, yizeye ko umuntu ahinduka. Irizera, ikatwihanganira, ikwumva ko n´abarimyi bazohava batanga umwimbu. Ukwo kwihangana nico kimenyetso gikuru c´Urukundo Imana idufitiye. Iguma irindiriye, bizogenda neza, bazohinduka, niho yemeye kurungika umwana wayo. Mw´ibaruwa ryandikiwe Abaheburayi niho dusoma ngo: « Mu bihe vyinshi no mu buryo bwinshi, Imana yarayagiye kera ba sokuru iciye ku bahanuzi. Muri iyi misi y´imperuka na ho, yatuyagiye iciye ku Mwana wayo yashinze kuba samuragwa wa vyose, ikaba kandi yaremye vyose ku bwiwe ». Heb1,1-2.

2. Mu bubegito bwiwe, Umuntu ntiyakiriye urukundo n´icizere Imana yamugiriye.

Umuntu yumva ko Imana ari umukeba. Ko ihava imunyaga. Akibagira ko n´ivyo afise ariyo yabimuhaye gushika mbere no kuco ari. Ngo ng´uwo Samuragwa. Nimuze tumwice, gutyo twigarurire iragi ryiwe“. Maze tuzoce twigenga, hatagira uwitwa umu chef duha rapport. Kuki tuba abakozi b´uwundi ? Ukwikunda, ukwirondera, ukwishira hejuru, amaronko, ivyo bituma tutakira muri twebwe rwa rukundo rw´Imana. Ah´ubwo turarutatira gushika mbere naho twicana. Nta vyamwa vyiza dushobora kwama. Izaya ati : « yari yiteze ingingo none ehe ni akarenganyo, yari yiteze ubutungane, none ehe ni induru gusa. » (Iz5,7).

3. Urukundo rw´Imana ntirudohoka

Ariko Imana nticika intege. Iguma yitaho umuzabibu wayo. „Nico gituma ndababwiye ko azobaka Ubwami bw´Imana, bakabwihera intara buzokwamamwo ivyamwa.“ Igihugu c´Imana, Igihugu c´isezerano nticamenye

Messia, ah´ubwo baramwishe. We Buye abubatsi bataye, niwe yabaye Urutare rwubatseko Ekkleziya, igihugu gishasha, igihugu kizotanga ivyamwa vyiza, igihugu gihuza ubwoko bwose, intara zose n´indimi zose. Iyo Ekkleziya ni twebwe nyene, nitwe muzabibu mushasha, „ba samuragwa b´Imana n´abaragwa kimwe na Kristu“ (Rm8,17).